# Hasigaye indwi zibiri kugira abanyaVermont bashobore kwiyandikisha mu gusaba imfashanyo ya Leta

**Release Date: November 10, 2024**

Abanya vermont batewe n'imvura nyinshi, umwuzure, gutembagara kw'imisozi, n'vyondo muri Nyakanga basigaje indwi zibiri kugira ngo basabe imfashanyo ya Leta, hashobora kuba harimwo n'imfashanyo ya FEMA yo gusubiramwo amazu no gusubirizwa ibintu, canke ingurane  z'inyungu nke zitangwa n’ ibiro vy’ ibidandazwa bito bito vy’ Amerika. **Umunsi wa nyuma wo gusaba ni ku wa 25 Munyonyo 2024**

Ku myuzurire yabaye **ku wa 9-11 Mukakaro**, abanyagihugu baba mu ntara zatoranijwe za **Addison, Caledonia, Chittenden, Essex, Lamoille, Orleans na Washington** baremerewe kwiyandikisha gusaba imfashanyo. Ku myuzurire yabaye **ku wa 29-31 Mukakaro**, ababa mu ntara zatoranijwe za **Caledonia, Essex na Orleans** barashobora kwiyandikisha.

Abanyavermont batewe n'*imvura yose* ya Mukakaro bategerezwa gutanga **ukwiyandikisha gutandukanye** kuri buri mpanuka.

Abatewe n'iyi mpanuka batakaje canke ibintu vyabo vyononekaye bakwiye kwiyandikisha na FEMA naho baba badashobora kugereranya ivyononekaye canke bataramenya ingene ama sosiyete ya asiranse azobafasha. Kugira ngo bafatwe nk'abashobora guhabwa imfashanyo, abantu baba mu bice vyatewe bakeneye kwiyandikisha muri FEMA kugira ngo batangure uru rukurikirane. FEMA izokorana n'abatewe n'iyi mpanuka kugira ngo bamenye amakuru akenewe kugira ngo bamenye ko bakwije ibisabwa.

Ku bantu bashaka kuvugana n’ umuhinga mu vyerekeye impanuka imbona nkubone, hari **Ibigo bibiri vyo Gusubiza Ibintu mu Buryo** vyuguruwe muri Vermont. Ibi bigo biri ku **Ngoro y' Igisagara ca Hinesburg** (10632 ibarabara rya 116) hamwe na **Hinesburg Public Safety Facility** kw’ ibarabara rikuru rya 366. Bisanzwe vyuguruye kuva isaha zitatu zo mu gitondo gushika isaha cumi na zibiri

zo ku mugoroba.Kuwa mbere gushika  Kuwa gatandatu. Birugara ku wa Mungu.

Abanyagihugu ntibakeneye kuja mu bigo vya DRC kugira ngo biyandikishe mu vya FEMA. Hari uburyo butatu bwo kwiyandikisha:

Abatewe n'umwuzure ntibakeneye kuja mu kigo co gufasha mu vyago kugira ngo basabe canke baronke imfashanyo ya FEMA. Uburyo butatu bwo kwiyandikisha imbere y' italiki ya nyuma ya **Munyonyo 25, 2024 harimwo:**

- Kuri internet kuri DisasterAssistance.gov
- Hamagara umurongo wa FEMA wo gufasha kuri **1-800-621-3362**. Iyi mirongo y'iterefone irakora kuva isaha imwe y'igitondo gushika isaha zine z'ijoro (mu masaha  y 'akarere kanyu), Imisi indwi ku ndwi. Imfashanyo iraboneka mu ndimi nyinshi. Niwaba ukoresha serivisi ya video relay (VRS), serivisi ya telephone ifise ivyanditswe canke ibindi, tanga inomero yawe kuri FEMA kuri iyo serivisi.Kugira urabe videwo yoroheye kuboneka yerekana ukuntu wosaba imfashanyo, ja kuri  youtube.com/watch?v= WZGpWI2RCNw..
- Gushira muri telephone FEMA’s Mobile App

Mu kwiyandikisha kuri SBA:

- Iyandikishe kuri internet kugira uronke amakuru yiyongereye ku bijanye n’ ubufasha bw’ amakuba kuri sba.gov/disaster
- Hamagara Ikigo SBA gitanga serivisi ku bagurana kuri (800) 659-2955 kuva 8:00 – 20:00 ET Kuwa mbere gushika Kuwa gatanu canke urungike email kuri **disastercustomerservice@sba.gov** kugira ngo uronke ayandi makuru
- Ku bantu batumva ,bigora kwumva , canke bafise ikibazo co kuvuga ,musabwe guhamagara kuri 7-1-1 kugira muronke serevisi zo guhanahana amakuru kure ku bantu bafise ubumuga.

Ku wa 15 Gitugutu 2024, vyatangajwe ko amafaranga y'umugambi wa SBA w'ingurane z'ingorane yamaze gukoreshwa yose. Naho ata ngurane nshasha za SBA z'ingorane zishobora gutangwa gushika Inama Nshingamateka itanze ayandi mafaranga, SBA iracafise intumbero yo gufasha abatewe n'impanuka. Ukwiyandikisha kuzobandanya kwakirwa kandi no gukorwa kugira ngo abantu n'amaduka babe biteguye kuronka imfashanyo igihe amafaranga azoba abonetse.